What do I need to know if my child is suspended?

Parent/carer information

# Ni ibiki nkwiye kumenya mu gihe umwana wanje asibijwe / ahagaritswe?

## Ibimenyeshejwe umuvyeyi/umurezi

### Ugusībīshwa/uguhágarikwa ni iki?

Ugusībīshwa / uguhagarikwa kubahó igihe ishure risavye umwana kutaza kw'ishure mu kiringo kanaka. Abanyeshure b'abamenyerezwa gushika ku myaka 2 basībīshwa imisi 5 y'ivyigwa, abo mu wa 2-12 basībīshwa imisi 10 y'ivyigwa

Abayobozi basīvya uwiga mu gihe inyifato yiwe ihindutse imbangamizi itokwihanganirwa ku bandi, ku kwigishwa canke ku vyigwa.

Abayobozi basīvya umwana mu gihe baba baragerageje gukurikirana inyifato y'uwiga ukundi, bigatuma ishure rikenera umwana w'ugufasha nyeneyo n'ugukingira uwo ari we wese uwo munyeshure Atari kw'ishure. Abayobozi bisunga inyifato n'ivyo uwiga yoba akeneye mu kumusivya. Inyifato irengeje urugero canke mbangamirabuzima iteza ugusibishwa ikibiriraho kw'umwana wawe.

### Haba iki umwana wanje asîbijwe?

Umuyobozi ategerezwa kugabisha umunyeshure bíshoboka. Aragabisha abavyeyi/abarezi bishobotse, mu masaha 24. Wewe n'umwana wawe murahabwa amahirwe kuvugana n'abarongozi b'ishure ku vyerekeye iyo ngingo. Ishure riragufasha ku vyerekeye ubuhinga bw'ugufasha umwana.

Umuyobozi ashobora no kuguha urwandiko rw'ugusibishwa, rwerekana imvo zatumye asibishwa, ido n'ido n'umwanya kuzomara.

Mu kiringo c'ugusibishwa umwana wawe ntiyemererwa kwijira kw'ishure. Ishure rizofasha umwana kubandanya yiga mu kiringo c'ugusibishwa, mubifashanyemwo. Inkuru yerekeye uko umwana wawe yofashwa mu gihe c'ugusibishwa irihó.

### Ukwongereza Ikiringo c'Igisibo

Mu gihe ikiringo c'igisibishwa kidakwiye mw'ishirwaho ry'integuro y'ugufasha uwiga canke ibijanye n'umutekano bitarigwa neza, Umuyobozi aracongereza. Abavyeyi / abarezi barabimenyeshwa kare.

### Nokwitwara kubwo gusībīshwa?

Ego, mu gihe wibaza ko umuyobozi yafatiye umwana wawe ingingo itabereye kandi hadakurikijwe amategeko. Isunge Amategeko agenga ukwitwara.

Ayandi makuru ku bijanye n'ukuvugira umwana wawe ariho, hamwe n'Amasezerano Agenga Ishure n'Ikibano yerekana uburyo bwo kuvugana n'ishure.

### Inama yerekeye ugusībīshwa ni ikí?

Umwana wawe azogaruka kw'ishure n'imbere yuko ikiringo gihera. Umwitwarariko wawe w'ugukorana n'ishure mu gutorera umuti inyifato yiwe ni ngirakamaro cane. Imbere yuko umwana wawee agaruka, urahamagarwa n'abo kw'ishure mukagiriranira inama n'abakozi bazogufashiriza umwana.

Iyo nama ushobora kuyitaba canke hagakoreshwa ihanamakuru mu buryo butuma ikiyago kigenda neza. Izoba yerekeye uko mwofasha umwana wawe asubiye kw'ishure. Ushobora kuzana uwogufasha muri iyo nama. Ashobora kuba umuhinga yogufashiriza umwana mu buryo buboneka canke ku rwego rw'ibigumbagumba.

Ku nyifato zikeneye ubundi bihinga n'ugufashwa, ishure rizokorana nawe n'umwana wawe mw'ishirwaho ry'integuro y'ukumufasha n'ukugabanya impanuka. Umwana wawe arashobora kuba yarihanuye, kandi ivyo birafasha mu kumushigikira. Muzobivuganako n'abakozi b'ishure bajejwe gufasha umwana wawe.

### Ya nyifato isubiwemwo haba iki?

Iyo inyifato mbi ibandanije, umuyobozi n'abazezwanyigisho bazosuzuma ifashwa ry'umwana wawe harimwo n'ugusubira gusibishwa. Birashobora gukenerwa ugusaba abahinga karuhariwe mu gisata c'indero ngo bafashe.

### Ni amakuru ayahe nshobora guhabwa n'ishure?

Ushobora gusaba ishure inkuru y'ivyabaye n'icabiteje. Ishure rizogusobanurira imvo y'ingingo zose, ibizokorwa n'ivyokorwa ushikiwe n'ingorane kanaka.

### Ibikorwa vyo gusobanura mu rundi rurimi

Nimba wipfuza gushikira ishuri kandi ukaba ukeneye imfashanyo y'uwugusobanurira mu rurimi rw'Ikingereza, usabwe guhamagara ibikorwa vyo gusobanura kuri Telephone kuri 131 450, ubabarire ururimi ushaka kandi uce usaba umuntu ari kuri iyo mashini ahamagare ishuri. Uwo ari kuri iyo telephone azoca akuronderera umusobanuzi ku murongo agufasha muri ico kiganiro. Nta mahera uzorihishwa kuri uwo yagufashije gusobanura mu rundi rurimi.